UPDATED: SEPTEMBER 2023

# NI GUTE NOTANGURA KWANDIKA NSABA UBUHUNGIRO?

Uru rwandiko ni urwo gufasha abantu gutahura ivyerekeye gusaba ubuhungiro muri Africa yepfo. Urasabwa kumenya ko uru rwandiko ari urwo kukuyobora gusa Impanuro zirimwo si izamategeko Aya makuru arashobora guhinduka Ja ku rubuga www.scalabrini.org.za/information-about-asylum-in-south-africa mu gihe ushaka amakuru mashasha. Ikigo ca Scalabrini Centre of Cape Town ntikizobazwa ingingo iyo ariyo yose yafashwe hisunzwe uru rwandiko



## IVYA NKENERWA BIMENYESHEJWE

Ni nkenerwa cane kumenyeshwa amakuru muri Africa yepfo. Uru rwandiko rukurinda guhagarikwa hamwe no kwirukanwa kandi rukagufasha gukorerwa bimwe na bimwe mu bikorwa ukeneye Abantu bariko barahunga intambara canke itotezwa bategerezwa kwandika basaba ubuhungiro muri Africa yepfo. Mu gukora ivyo, uba usavye reta ya Africa yepfo kugukingira mu buryo bw'ubuhungiro canke ivyangombwa biranga impunzi. Iki gikorwa kirashobora kumara igihe kirekire. Ni nkenerwa ko utanga amakuru yo kandi y'ukuri mu gihe ico gikorwa kizomaraMu gihe utavuga canke ngo wandike icongereza neza, ni nkenerwa ko usaba umusiguzi kugira agufashe ku biro bijejwe kwakira impunzi. Uru rwandiko ruzoshobora kuboneka mu ndimi zikurikira Ja ku rubuga www.scalabrini.org.za/information-about-asylum-in-south-africa kugira ushobore kubona uru rwandiko mu zindi ndimi.

### INTAMBWE YA 1



HITAMWO IBIRO BIJEJWE KWAKIRA IMPUNZI (RRO) WIPFUZA KWANDIKIRA USABA UBUHUNGIRO

### INTAMBWE YA 2



ABANTU BATURUTSE MU BIHUGU BITANDUKANYE BABA BAKENEYE KUJA KU BIRO BIJEJWE KWAKIRA IMPUNZI KU MISI ITANDUKANYE. KORESHA IKIRANGAMISI CACU KIRI KURI PAGE IKURIKIRA KUGIRA URONDERE UMUSI WAWE WO KUJAYO.

### INTAMBWE YA 3



JA KU BIRO BIJEJWE KWAKIRA IMPUNZI KURI UWO MUSI ATA HANDI UCIYE. NIWAHASHIKA, SABA ISANGO RYO GUSABA UBUHUNGIRO.

### INTAMBWE YA 4



GENDA KURI IRYO SANGO KUGIRA BAGUFATE IBIKUMU HAMWE N'AMAKURU AKURANGA

### INTAMBWE YA 5



INYUMA Y'IBI UZOSUBIRA UJEYO KW'ISANGO RIGIRA KABIRI AHO UZOBAZWA IBIBAZO N'UMUKOZI AJEJWE KWEMEZA KO VY'UKURI URI IMPUNZI. HANYUMA UZOMENYESHWA INGINGO YAFASHWE KU BUSABE BWAWE.

### INTAMBWE YA 6



UMAZE GUHABWA UBUHUNGIRO URASHOBORA GUHABWA VISA Y'IMPUNZI ITANGWA ARI UKO UBANJE GUKURIKIZA IBISABWA UCIYE KU NGURUKANABUMENYI

RABA VYINSHI KURI IVYO KU RUPAPURO RUKURIKIRA

Scalabrini Centre of Cape Town


## INTAMBWE YA 1

## HITAMWO IBIRO BIJEJWE KWAKIRA IMPUNZI WIPFUZA KWANDIKIRA USABA UBUHUNGIRO HAMWE N'IGIHE CO KUJAYO

Ushobora kwandika usaba ubuhungiro muri Africa yepfo gusa mu gihe muri iki gihe uri mu gihugu ca Africa yepfo. Utegerezwa kwandika usaba ubuhungiro vuba hashoboka. Mu kwandika usaba ubuhungiro muri Africa yepfo, uzotangura iki gikorwa mu kuja ku biro bijejwe kwakira impunzi aho wipfuza gusabira ubuhungiro.

Amahitamwo yawe ni:

- Durban Refugee Reception Office
- Pretoria (Desmond Tutu Refugee Reception Office)
- Musina Refugee Reception Office
- Gqeberha Refugee Reception Office (formerly Port Elizabeth)
- Cape Town Refugee Reception Office




Raba ku kirangamisi kiri hepfo kugira urondere umusi ushobora kuja ku biro bijejwe kwakira impunzi.

Ibi biterwa n'igihugu waje uturukamwo.

| UMUSI | IGIHUGU | URURIMI |
|---|---|---|
| KU WAMBERE | Angola, Botswana, DRC, Tanzania, Lesotho, Madagascar, Malawi, Mauritius, Mozambique, Namibia, Seychelles, Zimbabwe, Swaziland, Egypt, Algeria, Pakistan, India, China | French, Swahili, Lingala, Tshiluba, Shona, Chichewa, Portuguese, Arabic, Bangali, Urdu, Gujarat, Punjabi, Hindi, Tsonga |
| KU WAKABIRI | Angola, Botswana, DRC, Lesotho, Madagascar, Malawi, Mauritius, Mozambique, Namibia, Seychelles, Zimbabwe, Swaziland, Egypt, Algeria, Pakistan, India, China | French, Swahili, Lingala, Tshiluba, Chichewa, Portuguese, Arabic, Bangali, Urdu, Gujarat, Punjabi, Hindi, Ndebele |
| KU WAGATATU | Ethiopia, Burundi, Rwanda, Uganda, Eritrea, Kenya | Amharic, Hadiya, Kambati, Oromo, Swahili, French, Kirundi, Kinyarwanda, Tigrinya, Luganda, |
| KU WAKANE | Somalia, Cameroon, Senegal, Eritrea, Ethiopia, Ghana, Burundi | French, Wolof, Swahili, Lingala, Twi, Somali, Amharic, Hadiya, Oromo, Tigrinya, Kambata, Kirundi |
| KU WAGATANU | Somalia, Senegal, China<br><br>French, Swahili and Lingala speakers | French, Swahili, Mandarin, Lingala, Somali, Wolof |

UPDATED: SEPTEMBER 2023

## INTAMBWE YA 2 — JA KU BIRO BIJEJWE KWAKIRA IMPUNZI KUGIRA USABE ISANGO

Umaze kumenya ibiro bijejwe kwakira impunzi wipfuza kwandikira usaba ubuhungiro kandi uzi umusi ushobora kuja kuri ivyo biro bijejwe kwakira impunzi, jayo ata handi uciye kugira usabe isango ryo gusaba ubuhungiro.

Jana karangamuntu k'igihugu cawe canke igice ca Section 23 (visa y'urugendo rw'impunzi)
Mu gihe ibi utabifise, utegerezwa kuba ufise urwandiko rw'icemeza uhereye igihe winjiriye mu gihugu hanyuma ukarwitwaza mu gusaba isango.

**Turaguteye intege zo kubika neza impapuro wahawe mu gihe usaba isango. Turaguye intege kandi kw'ifata ifoto yawe ku biro bijejwe kwakira impunzi mu gihe uhari, nk'icemeza.**

## INTAMBWE YA 3 — ITABIRA ISANGO WAHAWE

Ja ku biro bijejwe kwakira impunzi kuri uwo musi wahawe kw'isango ryawe.

Kw'isango rya mbere, abakozi babijejwe bazofata ibikumu hanyuma babike amakuru akuranga. Ibi mu bisanzwe bisigura ko bazofata ibikumu hanyuma babike amakuru bwite akuranga.

**Hanyuma uzoheza uhabwe isango rigira kabiri**


Kuri iryo sango rigira kabiri, uzobazwa ibibazo n'umukozi ajejwe kwemeza ko uri impunzi vy'ukuri (RSDO). Imbere y'ukukubaza ivyo bibazo umukozi abijejwe RSDO ategerezwa kugusigurira uburyo bigenda. Mu gihe co kubazwa ivyo bibazo, umukozi abijejwe, RSDO ategerezwa kukubaza invo zatumye uhunga igihugu cawe hamwe n'igituma wunva ko ata mutekano ufise wo gusubirayo. Barashobora kugusaba ibimenyetso canke ivyemeza ivyo ubabwiye.

**Hanyuma uzomenyeshwa ingingo yafashwe ku gusaba ubuhungiro kwawe.**

## INTAMBWE YA 4 — INYUMA YO KUBAZWA IBIBAZO, URASHOBORA GUSABA UBUHUNGIRO KU NGURUKANABUMENYI

Inyuma y'isango ryaguhuje n'uwujejwe kwemeza ko uri impunzi vy'ukuri (RSDO), uzohabwa inomero ya dosiye. Ukoresheje iyi nomero ya dosiye, urashobora gusaba uruhusha rw'impunzi uciye ku ngurukanabumenyi ukoresheje ubwo buryo nyene nk'uburyo bwagutse bwo ku ngurukanabumenyi.

### AKARORERO K'IBINTU BITEGEREZWA KUBA BIRI MU BUTUMWA BWAWE BWA EMAIL....




**Umurongo wandikwako invo ni inomero ya dosiye.**

**Inomero ya dosiye akenshi itangurwa n'indome zitatu. Irashobora gutangurwa na CTR, MUS , PTA, ECZ, canke DBN, hanyuma hagakurikirako ibitigiri vyinshi.**



**Raba igishushanyo kiriko amakuru ajanye no gusaba ubuhungiro ku ngurukanabumenyi ngaha canke uje ku rubuga (scalabrini.org.za/information-about-asylum-in-south-africa)**

**Turatera intege abantu bose gusaba ubuhungiro ubwabo hamwe no gukurikiza amabwirizwa yavuzwe haruguru. Ikigo Scalabrini Centre of Cape Town kiratanga ubufasha buke mu gihe bishoboka ku bantu binjiye canke bariko barasaba ku ngurukanabumenyi ibikorwa bakorerwa imuhira.**

